INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le 18/12/ 2024

N. Réf : SNB/CP/365/2024

**Transmis copie pour information à :**

Son Excellence Monsieur le Président de la République, avec les assurances de notre plus haute considération

**A Son Excellence Monsieur le**
**Premier Ministre de la République**
**à**
**BUJUMBURA**

Excellence Monsieur le Premier Ministre,

Conformément aux dispositions des articles 196 et 207 de la Constitution de la République du Burundi respectivement relatifs au vote des lois et aux questions orales adressées aux membres du Gouvernement par le Sénat, nous avons l'honneur de vous transmettre en annexe à la présente pour rappel, les recommandations formulées par le Sénat lors des séances plénières qui ont eu lieu depuis le début de la sixième législature du Sénat jusqu'à la fin de la session parlementaire ordinaire d'août 2024.

Veuillez agréer, Excellence Monsieur le Premier Ministre, les assurances de notre haute considération.

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

**C.P.I. à :**
Son Excellence Monsieur le Vice-Président de la République.

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08 22 40 50 23 SENAT

| MINISTERE DE L'INTERIEUR, DU DEVELOPPEMENT COMMUNAUTAIRE ET DE LA SECURITE PUBLIQUE | |
|---|---|
| **Sujet de la séance** | **Recommandations formulées** |
| Ikibazo ciyaguye ku ntambamyi zibonekeza mu ntwaro | **Ivyasabwe :**<br>1. Gushiraho integuro y'ibwirizwa ryerekana neza imbibe z'intara (découpage territorial);<br>2. Kwibuka amakoperative ya SANGWE ataronkejwe ingurane nayo nyene akayironswa hamwe n'ukubarekurira gukora ibindi bishobora kubateza imbere atari uburimyi n'ubworozi gusa, mu gihe vyizwe neza ;<br>3. Kubandanya umugambi wari watanguwe ujanye n'ikarata karangamuntu itiganwa (carte d'identité biométrique) ku mvo zuko n'akarere duherereyemwo ariyo isigaye ikora ;<br>4. Gusubira kwihweza neza ibifatirwako (critères d'évaluation des performances) vyerekana neza intambwe mw' iterambere ry'amakomine ;<br>5. Kunagura no guha inguvu urwego rujejwe gukemura ibibazo vy'amashengero n'amadini;<br>6. Gutegekanya inyigisho no gukarihiriza ubwenge abarongoye amakomine mu ntumbero yo kumenya aho ubutegetsi bwabo buhera n'aho bugarukira ;<br>7. Gukurikiranira hafi amasoko yatanzwe na FONIC biboneka yuko ariko aracererwa kuja mu ngiro ;<br>8. Gukurikiranira hafi ikibazo kijanye n'umuzibukiro w'amatongo y'ahubatswe ikambi y'igisirikare ya Rumonge ;<br>9. Guha agaciro urwego rw'Igipolisi na cane cane mu kubahiriza amategeko ababuza kuja mu bunywero bitwaje ibikoresho vy 'akazi (inkoho n'umwambaro ubaranga) no kugenzura ko abapolisi bacungereye ababirekuriwe n'amategeko, ko batahindutse abazamu ;<br>10. Gushiraho poritike itomoye yerekeye kugabanya umurindi w'irondoka |

| | |
|---|---|
| | ry'abantu;<br>11. Kurangiza burundu ikibazo c'impunzi zo hagati mu gihugu ziri mu matongo y'abenegihugu mu kubahimiriza bagasubira mu matongo yabo kugira ayo matongo asubire mu minwe ya beneyo;<br>12. Kugiriranira amasezerano hagati y'ubushikiranganji bujejwe intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano n'ubushikiranganji bujejwe amasoko ntanganguvu kugira amafaranga Reta ihereza amakomine mu mugambi wo gushiraho umuyagankuba yofatwa nk'ingurane amakomine ahaye REGIDESO ikazoyasubiza;<br>13. Gutegekanya isubirwamwo ry'ibwirizwa rigenga impunzi rijanye n'ibihe tugezemwo kuko vyabonetse ko impunzi zihawe indaro mu Burundi zitigenza nk'impunzi ziri mu bindi bihugu;<br>14. Mu ntumbero yo kugwanya ingeso yo guharika, amakomine asabwa gufata umwanya ukwiye wo kugira amatohoza ku bashaka kugira ubugeni;<br>15. Ubuskiranganji bujejwe intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano bwokwimukira mu ntara ya Gitega mu ntumbero yo kwubahiriza ibwirizwa rishiraho umugwa mukuru wa poritike i Gitega;<br>16. Guha inguvu urwego rwo ku mutumba mu ntumbero yo kurangura amabanga yabo no kugwanya bimwe biboneka amabi ajanye no kunywa ibiyayuramutwe, inzoga zitemewe n'amategeko, gukina akamari n'ibindi;<br>17. Mu ntumbero yo kwubahiriza ba nyene imiduga, igisata kijejwe uruja n'uruza mu mabarabara kirasabwa ko mu gihe nyene gucibwa ihadabu yerekanye ko yarishe yonyarukirizwa mu kuronka impapuro ndangamuduga vuba;<br>18. Kwemerera abatwa na ba ntahonikora bahawe amatongo na Reta ko boyandikisha. |

**Fait à Gitega, le 18/12/2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tel 22 40 50 08 / 22 40 50 33
SENAT

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

| MINISTERE DE LA JUSTICE | |
|---|---|
| **Question orale** | **Recommandations** :<br>1. initier un projet de loi innovant en matière des travaux d'intérêt général substituant les peines, la réparation des dommages et la restitution des fonds en cas d'extrême nécessité pour les insolvables.<br>2. renforcer les capacités des juges des tribunaux de résidence et opérer un remplacement systématique des techniciens A2 par des licenciés et équivalent dans ces tribunaux;<br>3. profiter des bienfaits de la fibre optique par la digitalisation du ministère en charge de la justice pour un suivi rapide et de qualité des dossiers pendants ou en phase d'exécution;<br>4. sensibiliser la population à évoluer vers l'abandon des procès vides de matière, de ne pas faire de la justice un outil de preuve de supériorité, qu'ester en justice ne soit un métier quotidien ou une occupation plutôt un recours sérieux;<br>5. recourir à l'usage des enregistreurs dans les audiences publiques, comme moyen d'exploiter toutes les informations sans risque d'en omettre aucune, volontairement ou non ;<br>6. instaurer le système de juge unique pour que ce dernier soit fier et honoré de ses jugements rendus et constater par les rendements des juges de faible moralité. |
| Projet de loi organique portant modification de la loi organique n° 1/08 du 17 mars 2005 | **Recommandation** :<br>Afin de préserver le sens et l'orientation du législateur, le Sénat recommande que la version kirundi du projet de loi adopté soit réservée exclusivement au service technique de la législation |

| | |
|---|---|
| portant code de l'organisation et de la compétence judiciaires | |
| Ikibazo ciyaguye ku mushikiranganji w'ubutungane | **Ivyasabwe** :<br><br>1. gutegura projet de décret ihindura le décret n° 100/114 du 30 avril 2013 portant guide déontologique et disciplinaire du magistrat, yashizeho ico yise « erreur judiciaire » kuko abacamanza bose bakora amakosa bagaca bikinga inyuma ya « erreur judiciaire » kuko iyo décret nyene isanzwe yategekanije ko « erreur judiciaire » idahanwa kuko yayikuye mu bisanzwe bihanwa vyitwa « fautes disciplinaires », ikaba iyo décret nyene inyuranye n'ibwirizwa rigenga abacamanza (Loi n°1/001 du 29 février 2000 portant réforme du statut des magistrats) ;<br><br>2. kudatinya guhana hakurikijwe amategeko, umucamanza canke uwo wese akora mu gisata c'ubutungane yakoze amakosa mu kazi ajejwe, maze akarangamutima k'uwo mwuga kareke gutituka, n'abenegihugu babeho mu butungane buzira akarenganyo;<br><br>3. gukora isekeza ryo gupfungura abatategerezwa gupfungwa kubera intumbero yatanzwe na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu, gutyo ibikorwa vy'iterambere rusangi bikorwe (travaux d'intérêt général) kandi n'amabohero areke kurengerwa n'igitigiri c'abapfungwa, abakiboshwe n'indishi nabo bashobore kuja gukora bayirondera;<br><br>4. kwiga ingene abacamanza bohabwa akazi biciye mw'ihiganwa ryo gukora ibibazo, hakaba kubakarihiriza ubwenge bari mu kazi kugira ngo batorere inyishu ikibazo c'ubumenyi buke, hatibagiwe na « programme de moralisation », kugira ngo ingorane y'ibiturire iveho ;<br><br>5. gushinga urutonde rw'ama « critères d'éligibilité» aboneka neza yokurikizwa mu kuduza umucamanza mu kazi ( promotion ) gutyo uwukora neza abe ariwe ashimirwa;<br><br>6. guhana abo mu rwego rw'Ubutungane bafata ingingo ihushanye n'iyafashwe n'ababatwara canke bakanka gushira mu ngiro ingingo z'abababakurira ( insubordination ) kuko bityoza cane abatware bikagabanura n'ubushobozi bwabo ;<br><br>7. gukurikiranira hafi ko ikiringo inyamiramabi zihabwa n'amategeko co gupfunga umuntu vy'agateganyo imbere yuko aburana gikurikizwa kuko |

| | |
|---|---|
| | kenshi barakirenza ku mvo zitandukanye zidahuye n'amategeko;<br><br>8. guhindura kenshi aho abacamanza bakorera, kuko uwumaze igihe kinini ahantu arahamenyera cane hakaba imimenyerano ihava ikamukwegera mu yandi makosa ;<br><br>9. guha inyamiramabi yose imbere yo gutangura akazi, « badge » y'akazi, maze inomero z'umwe wese zishirwe kuri dosiye yose akoze, vyotuma n'amakosa agabanuka kuko uwuyakoze aba aboneka uwo ari we, bishitse agakora nabi bakamwaka iyo « badge » imuha uburenganzira bwo kurangura ayo mabanga ;<br><br>10. gushira ifoto ku madosiye y'abapfungwa, kuko harashobora gupfungurwa naka ku mpapuro ariko hagasohoka uwutari we;<br><br>11. gushiraho uburyo bwo gufata no gushingura neza amajwi y'ingene imanza ziburanishwa mu ntumbero yo kugumana ivyemezo mu gihe hoba ugushaka guhindura canke guhakana ivyashikirijwe ;<br><br>12. guhimiriza abacamanza ba Sentare z'intango bakorane neza n'abahuza bo ku mitumba, mu guha agaciro abahuza, mu kutabaca intege, mu kutivanga mu kazi kabo, ndetse n'uguhanurana mu nyifato iyo bibaye ngombwa. |

**Fait à Gitega, le 18/12/2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

Gitega, le…. /…. / 2024

| 4. MINISTRE DES FINANCES, DU BUDGET ET DE LA PLANIFICATION ECONOMIQUE | | |
|---|---|---|
| Projet de loi régissant l'autorité de régulation du marché des capitaux du Burundi | **Recommandations** ;<br>1. Initier une formation des cadres des ministères sectoriels concernés pour les rendre plus performants et outillés, étant donné que le domaine est nouveau dans notre pays ;<br>2. élaborer les textes d'application dans les meilleurs délais, afin de permettre une mise en application effective de cette loi. | 24 septembre 2020 |
| Projet de loi portant modification de la loi n° 1/12 du 29 juillet 2013 portant révision de la loi n°1/02 du 17 février 2009 portant institution de la taxe sur la valeur ajoutée, TVA | **Recommandation** :<br>Mettre en place dans les plus brefs délais, les textes d'application de la présente loi précisant notamment le seuil d'assujettissement à la TVA ainsi que les mécanismes d'utilisation des machines de facturation électronique qui impriment les factures mentionnant la TVA. | 20 octobre2020 |
| Projet de loi portant règlement et compte-rendu budgétaire pour l'exercice 2021/2022 | **Recommandations** :<br>1. veiller à ce que les services concernés revoient la nomenclature relative aux comptes non définis, afin de lever tout équivoque en rapport aux entrées et aux sorties desdits comptes ;<br>2. veiller à ce que les tableaux des exonérations soient plus détaillés pour faciliter la lisibilité et l'analyse des documents. | 29 juin 2023 |

**Fait à Gitega, le 12 / 12 /2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

<table>
<tr><th colspan="2">3. MINISTERE DES AFFAIRES ETRANGERES ET DE LA COOPERATION AU DEVELOPPEMENT</th></tr>
<tr><td>Projet de loi portant ratification par la République du Burundi d'un accord général de coopération entre le Gouvernement de la République du Burundi et le gouvernement de l'état d'Israël</td><td>Recommandation ;<br><br>Mettre en place un cadre de suivi des recommandations issues des missions effectuées à l'étranger ; ceux qui y auront participé étant tenus de partager leurs acquis aux autres, leur participation sera de ce fait effective et les dépenses de l'État seront justifiées par l'impact de la mission.<br><br>REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08 22 40 50 23 SENAT</td></tr>
<tr><td>Question orale avec débat adressée au Ministre des affaires étrangères et de la coopération au développement</td><td>Recommandations :<br>1. accélérer la mise en application des accords de coopération sur la mobilité de la main d'œuvre et en négocier d'autres, afin notamment de diminuer le taux de chômage qui touche surtout la jeunesse;<br>2. instaurer un service chargé exclusivement du suivi de nos jeunes au niveau de chaque ambassade du Burundi dans ces pays d'accueil ;<br>3. organiser des séances de sensibilisation au patriotisme pour la diaspora dans le pays d'accueil, en complément à la journée organisée chaque année et dédiée à la diaspora, afin que celle-ci puisse rapatrier leur capital qui permettra ainsi la hausse de la production et du produit national brut ;<br>4. négocier des accords d'octroi des terres cultivables avec certains pays de l'EAC comme la RDC, la Tanzanie et l'Ouganda en faveur de la population burundaise qui en a tant besoin ;<br>5. inventorier les organisations régionales ou internationales dans lesquelles le Burundi ne tire pas profit et s'en désengager afin de se focaliser sur celles</td></tr>
</table>

| | |
|---|---|
| | qui lui sont bénéfiques;<br><br>6. modifier les dispositions légales relatives à l'octroi des passeports diplomatiques aux parlementaires à la fin de leur mandat pour les adapter aux exigences du moment. |

**Fait à Gitega, le 18/ 12/2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 03
22 40 50 33
SENAT

INAMA NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le.... /.... / 2024

| | | |
|---|---|---|
| | **MINISTERE DE L'EDUCATION NATIONALE ET DE LA RECHERCHE SCIENTIFIQUE** | |
| Projet de loi portant révision de la loi n° 1/22 du 30 décembre 2011 portant réorganisation de l'Enseignement supérieur au Burundi | **Recommandations**<br><br>Elaborer les textes d'application dans les meilleurs délais, afin de permettre une mise en application effective de cette loi. | 01 octobre2020 |
| Ikibazo ciyaguye kijanye n'ingene inyigisho zitunganijwe kandi zitangwa mw'ishure shingiro n'iry'inyuma y'ishure shingiro | **Ivyasabwe** :<br>1. Gukurikiranira hafi amashure afise abigisha badakwiye, inyubako zimeze nabi canke ibikoresho bidakwiye ;<br>2. Gukomeza ubushakashatsi mu mashure mu kuyaha ibikoresho bigenewe ico gisata bikwiye ;<br>3. Kugwiza ibikoresho vyo kugwanya ikiza ca covid-19, kugira ngo ingingo zose zo kukirwanya zibandanye zubahirizwa ;<br>4. Kuriha umwenda Ubushikiranganji bw'indero bufitiye ishirahamwe Regideso, mu ntumbero yo gufasha ayandi mashure atagira amazi n'umuyagankuba ;<br>5. Gusubira kwongereza igitigiri c'abigisha bahabwa ubwo bushikiranganji ku mwaka ;<br>6. Guhimiriza amakomine kubandanya agira uruhara ruboneka mu mwitwarariko w'igisata c'indero, badashize inyuma amashure y'imyuga ;<br>7. Gusubiza mu minwe ya Reta ibibanza vy'amashure vyigaruriwe n'abenegihugu canke amashirahamwe ;<br>8. Gutegekanya ibibanza vy'amashure ahantu hose hariko hatunganywa ngo hubakwe ibisagara ;<br>9. Gutunganya isubirizwa ry'umwigisha atakiri ku kazi rihera mu buyobozi bw'indero mw'i komine, rikarungikwa mu ntara, hanyuma mu bushikiranganji bw'indero, kugira ntibisubire gufata umwanya muremure ngo abanyeshure bacererwe mu vyigwa ; | 24 février 2021 |

| | | |
|---|---|---|
| | nka kurya bikorwa mu ma "Ecoles d'excellence";<br>4. Gukura mu nzira ikibazo c'inyubako nini iriko irubakwa mu kigo c'i Zege kugira ngo ishobore gufasha mu gutorera inyishu ikibazo c'uburaro ku banyeshure basanzwe bahiga. | |
| Ikibazo ciyaguye ku mushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi | 1. Gutunganya ivyirwa vyo gushiraho « politique de mobilisation d'un fonds pour l'Education », kugira ngo igihugu citegekanirize uburyo bwo gutunganya ibibazo bikomakomeye bijanye n'indero ;<br>2. Gukosora ingene « emplois-types » ziteguwe kuko hamaze kwibonekeza ibitameze neza ;<br>3. Kwiga neza umugambi wa « zéro redoublement », ntibazosange harimwo imitego ikwegera igihugu mu ngorane ;<br>4. Kuraba ingene haba « harmonisation des politiques ou programmes pédagogiques », kuko zimaze kuba nyinshi hari igihe haba ingorane hageze ishirwa mu ngiro ;<br>5. Kugwiza amashure y'ubuhinga, abanyeshure batangure kuvyiga guhera mu mashure yisumbuye ;<br>6. Gutohoza neza ingene abahejeje amashure baronse akazi, kugira ngo bashire abanyeshure muri kaminuza baravye ibisata vy'akazi bikeneye abakozi gusumba ibindi ;<br>7. Gusubiriza abakozi bo muri « Commission Nationale de l'Enseignement Supérieur, CNES », kuko uruhara rwabo ni ntasubirizwa ;<br>8. Gusuzuma umugambi wa « redéploiement » kugira ngo amakosa yoba yibonekeza akosorwe amazi atararenga inkombe ;<br>9. gukurikiranira hafi igisata co mu bushikiranganji kijejwe ubugenduzi bw' amashure (Inspections) mu ntumbero yo kuzitirira hafi amakosa akorwa mu bisata bimwe bimwe vy'ubwo bushikiranganji. | 24 septembre 2024 |

**Fait à Gitega, le 18/12/2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

| | | |
|---|---|---|
| | 10. Gushiraho ubugenduzi burimwo abahinga bakurikiranira hafi ibisabwa n'inyigisho zitangwa mu makaminuza yigenga, kugira ngo ntizizohave zifutwa zimaze gukora, kuko abazizemwo baca bahomba vyinshi ;<br>11. Gukora ibishoboka vyose kugira ishirahamwe RPP ribandanye rikora kandi risohora ibitabo amashure akeneye ;<br>12. Kuronsa abigisha n'ibikoresho amashure y'imyuga yubatswe n'amakomine ;<br>13. Guha amashure ibikoresho bikenewe kugira abanyeshure baronke aho bagirira imyimenyerezo (équiper les laboratoires des écoles);<br>14. Kumenyesha amashirahamwe n'ubuzi ko babwirizwa gutanga ku banyeshure ibibanza vyo kwimenyereza akazi (les stages) ;<br>15. Kuraba neza ko intara zose ziserukiwe mu kurungika abanyeshule mu mashure y'akarorero (écoles d'excellence) no mu kubarungika kwiga hanze (bourses d'études de l'Etat) ;<br>16. Gutegekanya yuko abigisha bashirwaho n'urwego rwa Komine, n'uburyo bwo kubahemba bugahabwa amakomine nyene (décentralisation de la Fonction publique) ;<br>17. Guhagurukira ikibazo c'abigisha bacererwa cane ku kazi ;<br>18. Guha amashure afise uburaro uburyo bwo kwiyunguruza no kwunguruza ivyo basumye ;<br>19. Guha uburyo bwo kwiyunguruza uburongozi bw'indero mu makomine no mu ntara;<br>20. Gukwiza amashure ku mitumba yose y'igihugu ;<br>21. Kuja hamwe na Ekleziya Gatorika kugira ngo bavugane neza ico umwe wese yokora cerekeye inyubakwa za Lycée Vugizo, maze iryo shure risubire mu nyubakwa zaryo, risubize inyubakwa zatijwe. | |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri mu vyo bajejwe harimwo inyubako n'indero. | 1. kubandanya kuduza ubumenyi bw'abanyeshure mu gihe bigaragara ko akanovera kagenda karasubira inyuma, tutibagiye no kuduza ubumenyi kubasanzwe bajejwe kubutanga;<br>2. Kuduza no gutanga kare ikijanye n'agafashanyo gahabwa abanyeshure batanguye ishure rya Kaminuza mu ntumbero yo kwubahiriza itunganywa rishasha rijanye na budget-programme hamwe no kworohereza benshi baheba kwiga kubera batagira uko bobaho;<br>3. Gukoresha uburyo bwa "quota" mu kwinjira mu gisata ca kaminuza kijejwe amagara y'abantu (faculté de medicine) mu ntumbero yo gusabikanya ibibanza mu ntara zose z'igihugu | 21 décembre 2023 |

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président Gitega Tél 22 40 50 08 22 40 50 23 SENAT

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| | | |
|---|---|---|
| **6. MINISTERE DE LA FONCTION PUBLIQUE, DU TRAVAIL ET DE L'EMPLOI** | | |
| Projet de loi portant modification de la loi n° 1/08 du 28 avril 2011 portant organisation générale de l'administration publique | Elaborer les textes d'application dans les meilleurs délais, afin de permettre une mise en application effective de cette loi. | 08 octobre 2020 |
| Ikibazo ciyaguye ku mushikiranganji ajejwe abakozi n'akazi | 1. Hojaho amategeko atomoye ajanye no guhana abantu bose bagira uruhara mu guhemba abakozi batari ku kivi vyaba bivuye ku busamazi canke mu kubigira nkana na cane cane ku bajejwe abakozi mu bushikiranganji butandukanye (les chargés de ressources humaines);<br><br>2. Ku bakozi ba Reta bagenywe mu mabanga mu bundi bushikiranganji, hoba gukirikirana ama dossiers yabo neza kuko hari abashirwa ku rutonde rw 'abakozi batabaho kandi baba bari ku kazi;<br><br>3. Abimirije kuja mu karuhuko k'izabukuru bobimenyeshwa kare, nkuko amategeko abitegekanya kandi hoba icemeza ko urwandiko baruronse, bakanabiterera igikumu;<br><br>4. Gusaba ko abakozi bashasha bohembwa hadaciye umwanya munini hakaba kwiga amadosiye yabo mu kiringo gito kitarenze amezi atatu; | 16 octobre 2024 |

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

| | | |
|---|---|---|
| | 5. Gusaba ko igikorwa ca « digitalisation » cokorwa kigahera kandi hakaba gucungera bikomeye ama « logiciels » ajanye no guhemba abakozi na cane cane mu kuyabungabunga;<br><br>6. Umurwi washizweho kugira ugire amatohoza ku mafaranga yibwe ku bakozi bahembwa kandi badakora wotanga icegeranyo kikamenyeshwa abenegihugu ivyo bashitseko;<br><br>7. Mu ntumbero yo kugwanya ubusuma bufatiye ku mafaranga atekererwa abasigwa b'umukozi wa Reta yitavye Imana, ni bikorwe mu buhinga bwa none, (système digitalisé) kugira ngo haranduranwe n'imizi ubusuma bukunze kwigaragaza. | |

**Fait à Gitega, le 16 / 12 /2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| 7. MINISTERE DE L'ENVIRONNEMENT, DE L'AGRICULTURE ET DE L'ELEVAGE | | |
|---|---|---|
| Ikibazo ciyaguye ku mushikiranganji w'uburimyi | 1. Kwerekana neza uko igihe giheze, aho ishirwa mu ngiro y'imigambi iri muri PND rigeze ;<br>2. Kubandanya umugambi wo guteza imbere uburimyi bw'ibiterwa ufatiye ku turere vyimbukamwo (régionalisation des cultures) ;<br>3. Guteza imbere uburimyi hakoreshejwe amamashini (mécanisation agricole) ;<br>4. Kubandanya guhimiriza aborozi kwiyegereza ibitungwa ntibibandanye biyerera ku misozi (stabulation permanente) ;<br>5. Kubandanya guha agaciro ibiterwa mbumbarugo na njabukamazi hamwe no gushinga igiciro giha inguvu umwenegihugu nkuko vyakozwe ku bindi ;<br>6. Kubandanya guhimiriza ubushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi bufadikanije n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu kwegereza amakoperative SANGWE akorera mu burimyi n'ubworozi imiti, ifumbire n'imfungurwa z'ibitungwa n'ibindi ;<br>7. Gukurikiranira hafi no gufatira ingingo abahungabanya amazi n'ibinyabuzima biri mu kiyaga TANGANYIKA ;<br>8. Kubandanya igikorwa co kugarukana mu minwe ya Reta amatongo asigaye yihagiwe n'abenegihugu ;<br>9. Abakozi batarasubirizwa mu ma BPAE ni nkenerwa ko basubirizwa vuba cane ;<br>10. Gukora ibishoboka vyose kugira Reta ivyure Ishirahamwe COGERCO mu kurironsa amatongo yo kurimamwo no kuritunganya gushasha ;<br>11. Kwerekana neza imbibe z'amashamba akingiwe mu ntumbero yo kuyakingira ;<br>12. Gukurikiranira hafi cane abagwizambuto kugira ibishika rimwe rimwe ugasanga batanze imbuto mbi biveho ;<br>13. Reta yokurikiranira hafi ishirwa mu ngiro ry'umugambi PATAREB kuko biboneka ko ibikorwa bisa n'ivyahagaze, kandi hasigaye umwanya muto ngo bihagarare ;<br>14. Ubushikiranganji bwokomeza gukurikirana ikibazo | 25 mai 2021 |

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président Gitega Tél 22 40 50 08 22 40 50 23 SENAT

| | | |
|---|---|---|
| | c'abafundi b'indimo ku mutumba, aho bikenewe bakabahindura ;<br>15. Ubushikiranganji bwoshira inguvu zikwiye mu gukoresha ISABU mu ntumbero yo kugwiza imbuto zikwiye kandi z'akanovera ;<br>16. Ubushikiranganji bwokuraho amashirahamwe aza gukora ibikorwa biri mu migambi ya Reta ifashwe mu mugongo n'abo bafashanya mw'iterambere kuko ivyo bikorwa abakozi ba BPAE babikora ;<br>17. Reta yotahukana ibikoko vyo mu bwoko bw'inguge zajanywe mu gihugu ca Kenya ;<br>18. Ubushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi busabwe kuja hamwe n'Ubushikiranganji bw'umutekano kugira abenegihugu baba ku nkengera z'ikiyaga TANGANYIKA bakingirwe, n'imvubu nyene zigakingirwa ;<br>19. Gusubiramwo vuba itegeko ritanga umuzibukiro mu gushiraho igiciro kijanye n'ibihe tugezemwo. | |
| une question orale adressée au ministre de l'agriculture | 1. suivre de près la mise en application des accords signés entre le Burundi et ses partenaires, afin de juguler à temps certains problèmes pouvant entraver leur bonne exécution ;<br>2. inclure parmi les bénéficiaires de renforcement de capacité dans le secteur concerné, les jeunes et les gestionnaires des coopératives relevant de ce domaine ;<br>3. mettre fin au système des commissionnaires dans la vente du thé et du café et de privilégier plutôt la négociation directe avec les acheteurs ;<br>4. redynamiser les usines SOSUMO et O.T.B. surtout par le renouvellement de leurs matériels, afin qu'elles puissent atteindre les missions qui leur ont été assignées ;<br>5. protéger la terre cultivable, notamment en définissant avec précision la superficie destinée à d'autres activités et celle réservée à l'agriculture ;<br>6. mener une recherche approfondie relative à l'élevage des lapins, afin que le pays en général et les éleveurs en particulier puissent profiter pleinement de ses bienfaits. | 26 juin 2023 |
| question orale avec débats adressée au | veiller à ce que soit organisée dans les meilleurs délais, une descente sur terrain des techniciens du ministère concerné, pour évaluer l'état d'exécution du projet PATAREB financé par | 22 février 2024 |

RÉPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
SENAT

| | | |
|---|---|---|
| ministre de l'environnement, de l'agriculture et de l'élevage | le PNUD ainsi que le projet d'irrigation collinaire de Busoni. | |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri : uw'ibidukikije n'uw'amasoko ntanganguvu | 1. gushigikira abashize imitahe yabo mu burimyi kugira ngo baronke ibibanza vyagutse vyo kurimamwo maze umwimbu wiyongere, igihugu kironke n'ivyo gushora hanze ;<br><br>2. gushigikira ibigo bijejwe kugwiza imbuto, kwongera inguvu ubuyobozi bujejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi mu ntara, DPEAE, mu ntumbero yo gukurikiranira hafi abarimyi no kuborohereza mu kubaronsa imbuto ku gihe ;<br><br>3. gushira inguvu mu gisata kijejwe kugwiza ingano, na ririya ku misozi myinshi y'igihugu zisanzwe zihamera ;<br><br>4. guhimiriza irimwa ry'ikawa, kuyiha agaciro gasumba, maze abarimyi basubire guhurumbira ico giterwa gisaba inguvu nyinshi ariko igiciro caco kikaba munsi y'ibindi biterwa.<br><br>Gushiraho imigambi itomoye yo gukingira ibidukikije na ririya amasoko menshi agenda arazimangana bivuye ku kononekara kw'amashamba cimeza, hamwe no gushiraho umugambi worohereza abenegihugu mu gukoresha imyuka mu gukinjika (gaz), n'ibindi ;<br><br>2.Gukurikiranira hafi ibikorwa vy'abaza gushigikira imigambi ya Reta, maze bakore ibikorwa birama, bidasubiza abantu mw'ihumbi mukumara umwanya urume rumara ;<br><br>3. imirimo yose ikorerwa mu bice vy'urugomero rwa Rwegura vyohagarara, mu ntumbero yo gukinga igabanuka ry'amazi asanzwe arugize co kimwe n'ayandi masoko yose ari mu gihugu ;<br><br>4. hokorwa ivyigwa vyimbitse mu gihe co kugiriranira amasezerano hagati ya Reta n'izindi mpande (contrat de partenariat), mu ntumbero yo gukingira inyungu za Reta n'abenegihugu ;<br><br>5.Gushigikira bimwe biboneka ikigo **ONATOUR,** kugira bashobore guhingura ibizuku bikwiye, mu ntumbero yo gukingira ibidukikije na cane cane ibiti, no kwiga neza | 26 septembre 2023 |

RÉPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 00
22 40 50 2
SENAT

| | | |
|---|---|---|
| | ingene abikorera ivyabo bokwinjira muri ico gisata ;<br><br>6. aba « ingenieurs communaux » bokorana n'ikigo **AHAMER** mu ntumbero yo gukurikirana neza imigende y'amazi yo mu maKomine. | |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri mu vyo bajejwe harimwo ubudandaji n'uburimyi, | 1. gukora ibishoboka vyose kugira ngo abaheraniye ishirahamwe SOSUMO bishure, kugira ibikorwa vy'ishirahamwe ntibihave bihagarara;<br><br>2. kubwiriza ibigo bijejwe ubushakashatsi nka ISABU ko hokorwa vuba ivyigwa vyimbitse ku bijanye n'akamaro n'ingene bakoresha amaganga y'inkwavu mu gutabira indimo, kugira ngo abenegihugu bayakoreshe neza ;<br><br>3. kwiga neza no gukurikiranira hafi umugambi wa SOSUMO wo gukorana n'uwo mugwizatunga yikorera utwiwe, kugira ngo iryo shirahamwe ntirizosange rihahombeye ;<br><br>4. kuronderera abenegihugu inka za kijambere zobafasha kuronka umwimbu ukwiye, kuko irya ngingo yo kugumiza inka mu nzu yatumye badashobora kugumya igitigiri c'inka bari bafise, bigatuma babura amata n'ifumbire;<br><br>5. gushiraho ibigo bijejwe inyigisho z'abafundi b'indimo naho vyoba bibiri canke bitatu ariko bikagira ibikoresho bikwiye, kugira ngo bashobore gushigikira abenegihugu mu mirimo yabo, bareke gukora bajuragirika;<br><br>6. gushiraho ibanki y'abarimyi n'aborozi kugira ngo baronke bitabagoye cane aho basaba amafaranga y'ingurane yobasahiriza mu migambi yabo ;<br><br>7. gushiraho poritike itomoye neza y'amakoperative, gukurikiranira hafi ibikorwa vyayo, kwigisha abanywanyi bayo ingene bakoresha neza uburyo bwabo, kuko ari igisata gikomeye cane mw'iterambere;<br><br>8. gutunganya neza ihanahanwa ry'umwimbu hagati | 20 décembre 2023 |

REPUBLIQUE DU BURUNDI Cabinet du Président B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08 22 40 50 23 SENAT

| | | | |
|---|---|---|---|
| | y'intara ( commerce intérieur ), kuko intara zose ntizirima bimwe kandi hariho ivyimburwa bitabikika, kuko bitabaye uko, havamwo agahombo kanini gaca inkokora abarimyi kagasubiza inyuma igihugu ;<br><br>9. guhimiriza ibigo bikora ibijanye n'ubuhinga cane cane ivy'uburimyi, kugirango borohereze abanyeshure barondera aho bagira imyimenyerezo basabwa gukora « stages » ;<br><br>10. kuzitira neza amashamba cimeza mu ntumbero yo gukingira abenegihugu n'indimo zabo, hamwe nyene n'ayo mashamba n'ibikoko birimwo. | |
| ibishikirijwe n'Inama Nkenguzamateka bijanye n'urugendo Abakenguzamateka bakoze ku rugomero rw'umuyagankuba rwa Rusumo, ku mugambi jimat w'i Muyinga hamwe n'umwonga wa Nyamuswaga wo mu Kirundo | 1. Gutunganya ivyirwa vyimbitse vy'abahinga kugirango barabe ko ihangiro ry'umugambi JIMAT ryo guhingura isukari mu mahonda ritosubirizwa no kuyaronderamwo bio-éthanol yofasha kugitoro, bongere banamenye imbuto zotanga umusaruro ukwiye ;<br><br>2. Kuraba uko umugambi wo kuvomera umwonga wa Nyamuswaga wosubirwamwo kugira ngo barabe ko ubuhombe bwoba buto kuko bigaragara ko uyo mugambi usa n'uwutagishoboka. | 10 septembre 2024 |
| Ikibazo ciyaguye kibabijwe umushikiranganji ajejwe gukingira ibidukikije, uburimyi n'ubworozi | 1. Guhimiriza ishirahamwe rya Reta rigwiza imbuto canke ayandi mashirahamwe y'abigenga asanzwe abikora ko yoshira inguvu muri ico gikorwa kuko tudakwiye kwama tuzera inze, mu gihe n'imbuto ziza ziba zidakwiye;<br><br>2. Guhimiriza abafundi b'indimo bo mu gihugu cose gukingira amatongo cimeza ya Reta na cane cane ayabangamiwe;<br><br>3. Gushiraho intumbero nyamukuru yo gukingira ikiyaga Tanganyika kuko ariryo soko ry'amazi rinini dufise mu gihugu ndetse no kwitaho ineza y'urunganwe ruzokurikira muri kazoza;<br><br>4. Gushigikira ishirahamwe SOSUMO kugira rironke ivyuma | 30 octobre 2024 |

RÉPUBLIQUE DU BURUNDI
Le Président
B.P. ... Gitega Tél 22 40 50 00
22 40 50 23
SÉNAT

| | | |
|---|---|---|
| | bigezweho rizoza rirariha buhoro buhoro mu ntumbero yo gukinga ko iryo shirahamwe rishirwamwo iyindi mitahe y'abigenga iza kugabanya ububasha bwa Reta kuri iryo shirahamwe;<br><br>5. Gufata nkama ikibazo c'abakozi bahora bakorera ama SOGESTAL kuko haheze ikiringo kinini kitaratorrwa inyinshu ;<br><br>6. Mu ntumbero yo gukingira abenegihugu bahendwa bakagura amatongo asanzwe ari aya Reta hobaho vuba bwango isuzumwa rishasha ry'amatongo yegukira ishirahamwe SRD Imbo;<br><br>7. Guhindura ukuntu igikorwa co gutanga amasoko y'ivyigwa vy'ubuhinga (étude des projets) n'ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa bigenda kuko ahenshi usanga imigambi itegekanywa idashika kw'ihangiro kumvo z'uko iba itizwe neza;<br><br>8. Kwiga neza uko Reta yokorohereza abafise imigambi yo kuzana ubuhinga n'ibikoresho bishobora gusubirira ikoreshwa ry'igiti gisanzwe kibangamiwe muri ino minsi (akarorero: ikoreshwa rya Gaz n'ibindi mu gucana), ndetse aho bishoboka hakoreshwe ibikwa vy'ivyuma mu kubaka amagorofa;<br><br>9. Gushigikira abarimyi n'abarovyi mu gukoresha ubuhinga bugezweho mu ntumbero yo kugwiza umwimbu uva mu burimyi no mu burovyi;<br><br>10. Mu ntumbero yo gutunganya neza uburimyi mu gihugu, hojaho poritike itomoye yerekana uburere ndimwa n'ibiterwa biharimwa, vyaba mbumbarugo canke njabukamazi. | |

**Fait à Gitega, le 18/12/2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

INAMA NKENGUZAMATEKA

Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| MINISTRE DES INFRASTRUCTURES, DE L'EQUIPEMENT ET DES LOGEMENTS SOCIAUX | | |
|---|---|---|
| Ikibazo ciyaguye kijanye n'inyubako zidakurikiza amategeko, ingene amabarabara ameze mu gihugu cose, cane cane mu bisagara (Umushikiranganji mu vyo ajejwe harimwo Inyubako za Reta) | 1. Kugarukana mu minwe ya Reta ibibanza biri mu bigwati bene kubironswa batigeze bavyubaka, abubatse amazu nabo ntibayabemwo ayo mazu yohabwa abatagira aho baba ;<br>2. Gusanura inyubako za Reta zitagikorerwamwo kugira zibone gukoreshwa, hamwe no kugarukana mu mimwe ya Reta inyubako zihagiwe n'abantu ;<br>3. Kwihutira gusohora imigambi Ubushikiranganji buzorangura muri iyi myaka ibiri iri imbere mu gushira mu ngiro umugambi PND 2018-2027 ;<br>4. Guhagarika gutanga ibibanza vyo kwubakamwo mu bibanza vy'ihemero (espaces verts), ibibanza vya Reta (espaces publics) canke ahaca amabarabara, hamwe no gutegekanya ibibanza vyo kwubakwamwo inyubako rusangi mu gihe bariko baratunganya ibisagara (amavuriro, amashure ...n'ibindi)<br>5. Guhana abantu bubaka ahantu batararonka uruhusha rwo kwubaka ;<br>6. Gukingira igisagara ca Bujumbura amazi y'inkukura n'amazi ya TANGANYIKA mu gusubiramwo kwubaka imiseregе itwara amazi (infrastructures d'assainissement, caniveaux), hamwe no kugira ivyigwa vyofasha kugira ngo amazi ya TANGANYIKA ntabandanye atera abenegihugu ;<br>7. Gusanura amabarabara n'izindi nyubako amazi atararenga inkombe ;<br>8. Gusubiramwo vuba itegeko rigenga imizibukiro kugira rijane n'ibihe igihugu kirimwo nkuko vyari vyasabwe kuva kera;<br>9. Reta yorondera uburyo bwo kubandanya gukingira inkombe z'inzuzi zica mu Gisagara ca Bujumbura;<br>10. Gukurikiranira hafi ibijanye no gutanga umuzibukiro ku benegihugu bafise amatongo mu ma ha 160, babujijwe kwubakamwo mu Gasenyi kubw'ingingo yo kwubaka ikirimba c'Umukuru w'igihugu;<br>11. Gusibura buri gihe imifurege itwara amazi n'ama "buses" | 25 février 2021 |

| | | |
|---|---|---|
| | mu bisagara igihe bikigendeka, hamwe no gukurikiranira hafi igikorwa c'ibiraro biriko birabomoka mu ntumbero yo kugabanya uburyo bwo kubikora bimaze kwononekara cane ;<br>12. Guhana abakozi n'abayobozi b'ibisata bakwirikirana nabi canke bakabigira nkana mu guhagararira nabi inyungu z'igihugu n'abenegihugu ;<br>13. Gutunganya ibibanza vyohabwa Abakenguzamateka n'abakora mu Nama Nkenguzamateka, mu ntumbero yo gushira mu ngiro ibwirizwa ritunganya igisagara ca Gitega nka " Capitale politique" no gukurikiranira hafi ibikorwa bijanye n'ukwubaka ingoro y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka;<br>14. Gusubiramwo ibwirizwa rigenga amasoko ya Reta (Code des marchés publics) kugira ngo urwego ARB rworoherezwe kurangura ibikorwa bimwe bimwe hakiri kare ivyononekara bitaraba vyinshi;<br>15. Gufata mu minwe ibikorwa bijanye n'ukwubaka ibarabara RN16 mu gutanga intumbero hamwe no mu gukingira inyungu z'igihugu atari iz'umuntu hamwe no gukurikiranira hafi amasezerano ari hagati ya ARB na "Bureau de surveillance " y'ivyo bikorwa;<br>16. Guha uburyo n'ibikoresho bikwiye igisata kijejwe amabarabara (Agence Routière du Burundi) mu ntumbero yo kurangura neza ibikorwa ijejwe;uburyo bwahora bwegeranywa na "Fonds Routier National " bwoshirwa mu kigega ca ARB kugira bashobore gutunganya neza ibikorwa bajejwe;<br>17. Gukurikiranira hafi igikorwa kijanye n'amabarabara yubakishijwe amabuye mumakaritiye yose abantu bahejeje kuriha, haba mu gisagara ca Bujumbura canke ku migwa mikuru y'intara ;<br>18. Kuronsa vuba abenegihugu barishe, inzu yubatswe na SIP mu Kigobe kugira harwanywe amatati yohava avyarwa n'ico kibazo, aho Reta yohahombera vyinshi. | |
| Ikibazo ciyaguye ku mushikiranganji muvyo ajejwe harimwo inyubako | 1. Gukoresha cane ikiyaga Tanganyika mu ntumbero yo kworosha gutwara ibidandazwa gutyo n'amabarabara agabanirizwe uburemere bw'imiduga icako ipakiye;<br><br>2. Gukomeza igisata c'ubugenduzi kugira gifashe cane mu gukurikiranira hagufi ibikorwa vy'inyubako zitandukanye kugira zikomere ntizimare umwanya urume rumara;<br><br>3. Gukorana na cane cane n'ikigo ca Regideso mu ntumbero yo kwubaka ibigega bikwiye vy'amazi kugira ngo imigambi yo | 29 août 2023 |

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
Gitega Tel 22 40 50 09
22 40 50 23
SENAT

kwubaka inzu ziri hamwe woroherwe kuja mu ngiro, no kuyongereza aho asanzwe ari make mu bisagara bitandukanye ;

4. Gukurikiza amategeko mu gihe Reta ishatse gusubira ku bibanza vyo kwubakamwo yari yatanze, kuko ahenshi batamenyeshwa kare ko bagiye kuzakwa canke ngo barabe amahera yatanzwe n'igihe giheze atarashikirizwa ico kibanza;

5. Ko mu gihe umuntu yarishe parasera yiwe ko inzego zijejwe kuhatunganya (viabilisation) zobikora kare kuko atawukwiye kwakwa parasera ngo ntiyubatse kandi nawe atoroherejwe ku mazi no ku mabarabara;

6. Guhimiriza abarongoye intwaro kuva ku nzego z'ibanze gukurikirana cane ibikorwa vyo gukingira inyubako rusangi mu kuzisibura no mu kuzikingira;

7. Kugwiza ivyapa ku mabarabara kugira ngo amasanganya agabanuke kandi banasigurire abenegihugu ibimenyetso biri mu mabarabara ya kaburimbo no guhana vy'akarorero abashoferi barenga amategeko agenga ivyo bimenyetso; ndetse no kwigisha mu mashure amategeko y'uruja n'uruza mu mabarabara, hari no gusobanukirwa ico ivyapa vyo ku mabarabara bisigura ;

8. Kugira amatohoza yimbitse mu makaritiye atandukanye amwe amwe (Rohero na Kiriri) kugira inzu za Reta zihari zimenyekane kuko hariho henshi bemeza ko abubatse inzu bita izabo bubatse mu bibanza vya Reta;

9. Muri uwo mugambi w'amazu rusangi, ko hoba amakaritiye y'akarorero (quartiers pilotes) kugira ngo amabanki atanga amafaranga ntarengerwe;

10. gukurikiranira hagufi ikibazo kijanye n'inyubako z'amahoteri ya Reta, Novotel na Source du Nil, bivugwa ko zisigaye ari amabiro y'abantu kandi zari zagenewe kwakira ingenzi ;

11. gutegekanya ibibanza imiduga itwara abantu igenda irahagararamwo mu bisagara ku mabarabara aca mu makaritiye atandukanye kugira imiduga ireke guhagarara

République du Burundi
Cabinet du Président
B.P. ... Gitega Tél. 22 40 50 ..
22 40 50 ..
SENAT

| | | |
|---|---|---|
| | mw'ibarabara ibuza izindi kurengana ;<br><br>12. Kugira ibishoboka vyose kugira urwego ruhurikiyemwo abahinga mu vy'inyubako (Ordre des Ingénieurs et des Architectes) mu ntumbero yuko inyubako zokwubakwa n'abahinga babinonosoye kandi hakaboneka aho bene inyubakwa bokwitura mu gihe habaye ikibazo kivuye ku kwubaka nabi ;<br><br>13. kudafatira amaboko i mugongo abenegihugu b'abasangwa bafise amatongo muri Kizingwe-Bihara mu kubashikiriza vuba ibibanza vyabo ;<br><br>14. Gusubiramwo itunganywa ry'ubushikiranganji kugira ngo hatandukanywe ibisata bijejwe gutegura imigambi ya Reta no kuyishira mu ngiro, n'ibisata bijejwe isuzumwa ry'ingene iyo migambi yashizwe mu ngiro;<br><br>15. Guhimiriza umuntu wese yubaka ko yerekana aho yategekanirije gushira amazi ava ku mazu, mu ntumbero yo kurwanya inkukura n'imyuzurira bivuye ku mazu ahanamiye ibisagara ;<br><br>16. Kwisunga ingingo zitegekanywa n'amategeko, mu gutanga ibibanza vyo kwubakamwo no mu kuvyaka aboba batashoboye gukurikiza amasezerano ;<br><br>17. Gushiraho urupapuro rutanga parasera (lettre d'attribution), rwisunga ibwirizwa rigenga ingene ibisagara bitunganijwe (Code de l'Urbanisme). | |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri mu vyo bajejwe harimwo inyubako n'indero. | 1. Guhagarika gukota amazu y'abikorera utwabo kugira ngo ayo mafaranga yahora akoreshwa mu kuzikota afashe gusanura inyubako za Reta ziri mu gihugu cose, izidashoboye gukorerwamwo na Reta izikoteshe;<br><br>2. Gusanura no gusubiza agaciro inzu ijejwe imico n'akaranga (palais des arts), mu kuyikoreramwo ivyategerezwa kuhakoregwa gusa;<br><br>3. Guhimiriza ubushikiranganji bwose bwegwa n'ibibazo bikunda kwibonekeza mu bisagara nk'ikena ry'amazi n'amatara, kugira ngo bugire urunani bukorere hamwe maze inyishu zirama zibonekere rimwe, mu ntumbero yo gushika ku mbono ya 2040-2060 ; | 21 décembre 2023 |

| | | |
|---|---|---|
| | 4. Gukura mu nzira ikibazo kijanye na "viabilisation" (Kizingwe, Nyabugete) mu gihe kirengeje imyaka cumi, kugira ngo abenegihugu basavye amadeni yo kwubaka boroherezwe;<br><br>5. kubandanya amatohoza yo kumenya igitigiri c'ukuri c'amazu yose ya Reta yanyazwe n'abantu bamwe bamwe bakayiyitirira kandi atari ayabo;<br><br>6. Gukura mu nzira vuba ikibazo kijanye n'umuzibukiro wabatswe ibibanza muri périmètre y'ahubatswe ingoro y'Umukuru w'igihugu;<br><br>7. Gutungariza abenegihugu barishe amatongo mu Gatumba aho haciye imyaka itari mike bararishe amahera ariko bakaba batarahabwa ibibanza;<br><br>8. kurabira hamwe no gusubiramwo ingene ikigo kijejwe inyubako OBUHA gikora cane cane ku bijanye n'ugushira mu ngiro amasoko gihabwa n'ama « services »ya Reta, kubera bimaze kugaragara ko giteba cane kubishira mu ngiro (exécution);<br><br>9. Gushiramwo inguvu kugira umugambi w'inyubako ya « Parlement » ishobore gutera ija imbere. | |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri : uw'amasoko ntanganguvu nuw'inyubako | 1. ibikorwa vy'ikigo OBUHA vyose bitegekanywa nibihabwe ikiringo kandi cubahirizwe kugira ngo birangiye ibindi bikorwa bibashe gutangurwa mu ntumbero yo gusezera ingendo yo gutanguza ibikorwa vyinshi bitari buhere ku mvo z'umwanya, uburyo canke abakozi badakwiye ;<br><br>2. ni hatandukanywe ibisata bikora ivyirwa hamwe n'ibigenzura ishirwa mu ngiro ry'ibikorwa, kandi igenzurwa ry'ibikorwa ribe igihe ibikorwa bitarononekara canke bitarakorwa nabi ;<br><br>3. ni hashirweho ikarata yerekana ibice vyo kwubakamwo hamwe n'ivyo kurimamwo ntihasubire kwibonekeza ibibanza vyubakwamwo kandi vyari ivyo kurimamwo, mu ntumbero yo kuduza umwimbu w'uburimyi ;<br><br>4. ni haronderwe ibikoresho bikwiye vya Reta (les engins) kugira ngo ivyo gukota ibikoresho bihagarare kuko bitwara uburyo bwinshi cane gose ; | 19 juin 2024 |

| | | |
|---|---|---|
| | 5. nihahabwe uburenganzira abarwizatunga bikorera ivyabo bashire imitahe yabo mu gisata c'imiyagankuba mito mito n'amabarabara kugira ngo baze gusahiriza muri ivyo bisata ngirakamaro mw'iterambere ;<br><br>6. imifurege niyubakwe neza kugira hakingirwe amabarabara hamwe n'izindi nyubako, kandi isanurwa ry'amabarabara n'ibiraro nibize birakorwa hakiri kare bitarononekara cane hashirweho imirwi y'igenzura (équipes mobiles) ;<br><br>7. nihashirweho ingingo z'ubuhinga ku bijanye no gukingira ibidukikije zishinga ibisabwa kugira ngo umuntu yemererwe kwubaka ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika mu ntumbero yo gutunganiriza hamwe kandi neza ibijanye n'imicafu iva mu mazu kugira ngo hakingirwe abenegihugu be n'ikiyaga Tanganyika kandi hakorwe amatohoza kugira ngo hasuzumwe ko ataboba bubatse ama « fosses septiques » afise imihora yisuka mu mifurege igana mu kiyaga Tanganyika ;<br><br>8. Reta nirondere ikindi kibanza mu ntara ya Gitega kiyegukira abe ariho hubakwa Parlement aho kuriha umuzibukoro w'imiriyaridi 28 ;<br><br>9. Nihihutirwe kurondera uburyo bwo gukora amabarabara yose Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi yemereye abenegihugu mu ntumbero yo kumugamburukira ; | |

**Fait à Gitega, le 18/12/2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 13
SENAT

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| MINISTERE DE L'HYDRAULIQUE, DE L'ENERGIE ET DES MINES | | |
|---|---|---|
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri : uw'ibidukikije n'uw'amasoko ntanganguvu | 1. gutunganya ivyirwa bitomoye vyerekana neza akunguko canke agahombo koba mu gihe abikorera ivyabo bokwinjira mu gisata co gutunganya amatara n'amazi ;<br><br>2. gukora ibishoboka vyose kugira igisata kijejwe gutunganya amazi kinagurwe, amakosa ari muri ico gisata akosorwe, baje ku gihe mu vyo bakora kandi batange amazi adafise utunenge ;<br><br>3. kwegera amabanki mpuzamakungu ashobora gutanga amadeni manini, kugira ngo ikigo Regideso gishobore kugwiza amazi, muntumbero yo gushitsa wa mugambi wo kugira Uburundi igihugu cishoboye gushika mu 2060 ;<br><br>4. ibikoresho vyose bikoreshwa vyogurirwa mu mahinguriro (usines) bitarinze guca ku bandi bantu, mu ntumbero yo kugura ibikoresho bikomeye kandi bizimbutse no kwubahiriza intumbero ya Reta ;<br><br>5. gutunganya inyigisho zotuma haboneka abahinga (formation des plongeurs) bashoboye gukurikirana imihora ikura amazi mu kiyaga Tanganyika kugira baseruke mu maguru masha igihe cose habaye ingorane (pannes) ;<br><br>6. ikigo Regideso cotorera inyishu ikibazo kijanye no gutunganiriza abenegihugu bashoboye gutanga uburyo bwabo ngo baronswe amatara n'amazi mu kugura ibiti (poteauux) ama « compteurs » hamwe n'intsinga z'amatara ;<br><br>7. « station de pompage » ya mbere ishikiramwo amazi avuye mu kiyaga Tanganyika yokingirwa kugira ngo ntizohave | 26 septembre 2023 |

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

| | | |
|---|---|---|
| | itwarwa ;<br><br>8. imigende y'amazi ishaje yosubirwamwo imbere yo gukora iyindi mishasha, mu ntumbero yo kubungabunga iyihasanzwe ;<br><br>9. ikibanza ca Nyanzari kirimwo « forages » zitanga amazi ku murwa mukuru wa politique i Gitega cokingirwa, kugira kibe ikibanza gikingiwe (proclamation de ce site d'utilité publique) kubw'akamaro kaco ;<br><br>10. Gukurikiranira hafi umugambi wa « amazi water » kugira ntuzohave wonononeka kandi ari kirumara mu buzima bw'abenegihugu.<br><br>Gushiraho imigambi itomoye yo gukingira ibidukikije na rirya amasoko menshi agenda arazimangana bivuye ku kononekara kw'amashamba cimeza, hamwe no gushiraho umugambi worohereza abenegihugu mu gukoresha imyuka mu gukinjika (gaz), n'ibindi ;<br><br>2.Gukurikiranira hafi ibikorwa vy'abaza gushigikira imigambi ya Reta, maze bakore ibikorwa birama, bidasubiza abantu mw'ihumbi mukumara umwanya urume rumara ;<br><br>3. imirimo yose ikorerwa mu bice vy'urugomero rwa Rwegura vyohagarara, mu ntumbero yo gukinga igabanuka ry'amazi asanzwe arugize co kimwe n'ayandi masoko yose ari mu gihugu ;<br><br>4. hokorwa ivyigwa vyimbitse mu gihe co kugiriranira amasezerano hagati ya Reta n'izindi mpande (contrat de partenariat), mu ntumbero yo gukingira inyungu za Reta n'abenegihugu ;<br><br>5.Gushigikira bimwe biboneka ikigo **ONATOUR,** kugira bashobore guhingura ibizuku bikwiye, mu ntumbero yo gukingira ibidukikije na cane cane ibiti, no kwiga neza ingene abikorera ivyabo bokwinjira muri ico gisata ;<br><br>6. aba « ingenieurs communaux » bokorana n'ikigo **AHAMER** mu ntumbero yo gukurikirana neza imigende y'amazi yo mu maKomine. | |

| | | |
|---|---|---|
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri : uw'amasoko ntanganguvu nuw'inyubako | amadeni aheraniwe ishirahamwe Regideso n'ibisata bikukira Reta, hobaho ukwumvikana ku bamaze kuriha na makeyi bokwugururirwa na bo bagatanga ikiringo co kuriha ayasigaye ;<br><br>2. icukurwa ry'ubutare niryerekanwe neza kandi herekanwe neza ingene umwimbu uva mu butare usahiriza ikigega ca Reta ;<br><br>3. nihabe isuzumwa ry'ivyirwa vyakozwe n'ibanki y'isi yose (Banque Mondiale) ryakozwe mu 1969 ku gitoro kiri mu Rusizi kugira ngo hafatwe ingingo ;<br><br>4. nihabe kugenzura neza ingene abahinga ba Regideso bakora mu bijanye no gutanga amazi bayakuye ku miringoti mikuru mikuru kugira ngo abanywanyi bafatwe kumwe ;<br><br>5. nihakorwe amatohoza adasanzwe ku bantu bafise uruhara mu gikorwa kigayitse co kunyegeza igitoro bakaja kukidandaza kuri magendo ; ivyo vyokorwa no ku basanzwe bafise impusha zo kwinjiza igitoro mu gihugu ;<br><br>6. nihabe igikorwa co kurondera abahinga bazi gukora neza ivyirwa vyimbitse mu bijanye no kurondera ahari ubutare baza kwunganira abo igihugu gisanzwe gifise ;<br><br>7. nihashirwe inguvu zidasanzwe mu gucunga inzira zose zikoreshwa mu kunyuruza inzahabu hamwe n'ubundi butare ;<br><br>8. nihakorwe ikarata (carte) nshasha yerekana ibice vyose vy'igihugu birimwo ubutare n'ubwoko bwabwo ;<br><br>9. imbere yuko haboneka amapoto y'ivyuma, Regideso nibe iratanga amatara ku benegihugu hakoreshejwe amapoto y'ibiti vyabigenewe ko asanzwe ahari ;<br><br>10. intara zose nizitabweho kumwe mu bijanye n'amatara n'amazi hisunzwe ingene ibisagara bikuru bikuru na bito bito biriko biraguka. | 19 juin 2024 |
| ibishikirijwe n'Inama nkenguzamateka bijanye | 1. Gutunganya neza amasezerano ajanye no kuriha umuyagankuba ukoreshejwe uvuye ku Rugomero rwa Rusumo kuko bidasiguritse ukuntu ibihugu basangiye urugomero biriha mu mahera asanzwe akoreshwa mu | 10 septembre 2024 |

| | | |
|---|---|---|
| n'urugendo Abakenguzamateka bakoze ku rugomero rw'umuyagankuba rwa Rusumo, ku mugambi jimat w'i Muyinga hamwe n'umwonga wa Nyamuswaga wo mu Kirundo | bihugu vyabo mugabo Uburundi bukariha mu mahera mvamakungu ;<br><br>2. Gutunganya neza no gusubiramwo imihora ishaje ya REGIDESO kugira ngo umuyagankuba uhari ushobore gushikira neza abenegihugu kuko bigaragara ko n'uwuhari utabashikira neza. | |
| Ikibazo ciyaguye kibajijwe umushikiranganji ajejwe amasoko ntanganguvu | 1. gukora ibishoboka vyose mu ntumbero yuko hoboneka amazi meza mu gihugu cose kuko bigaragara ko ata mazi meza akwiye dufise na rirya mwa kino gihe hibonekeza indwara nyinshi zisaba isuku rikwiye ;<br><br>2. gushiraho uwundi muhora w'amazi kuko uwo dufise udakwiye, kanatsinda hariho ikibanza caguzwe na Regideso kugira bacishemwo uwundi muhora muri Nyabugete, birakwiye kandi ko kirya kibanza gikingirwa kuko bama bakigera amajanja ngo gitangwe cubakwemwo inzu ;<br><br>3. gutunganya ibikorwa vyo gukwega amazi mu kuzimu (forage) mu ntumbero yo gutanga amazi aho hose bikenewe kandi bishoboka (akarorero : mu kigo ca ETS kamenge) ;<br><br>4. Regideso na AHAMR bakore ivyigwa vy'ingene ibikorwa vyo gukwega amazi mu kuzimu « forage » vyakozwe, hasuzumwe imvo zituma ayo ma forages atakiduza amazi, hasuzumwe ubumenyi bw'ababikoze, ubukomezi bw'ibikoresho vyakoreshejwe, ndetse ko hari ibikoresho vyosubirira ibishaje ;<br><br>5. kwiga ingene hokoreshwa umuyagankuba wa « nucléaire » wosahiriza REGIDESO kugira ngo tujane n'ibihe ;<br><br>6. gukosora ingene Regideso ikora imigambi yayo (planification) kuko harabaho ugusamara, kuko nta kuntu amazi akena mu gisagara ca Bujumbura no mu micungararo yaco kandi dufise ikiyaga Tanganyika n'izindi nzuzi ;<br><br>7. gusubiriza ibikoresho vy'umuyagankuba n'amazi bishaje bitakijanye n'igihe ca none ndetse n'imihora yose ishaje ; | 17 octobre 2024 |

| | | |
|---|---|---|
| | 8. gutanga inyigisho ku bahinga b'amazi bo mu mazones no mu makomine kugira bazohore bakurikirana neza ibikoresho vy'amazi vy'aho baherereye ;<br><br>9. mu gutanga amatara n'amazi meza hoshirwa imbere amakomine n'imitumba abenegihugu bafisemwo ibibazo gusumvya ahandi (taux d'accès à l'eau et à l'électricité). | |

**Fait à Gitega, le 18 /12 /2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

INAMA NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| | | |
|---|---|---|
| | **RECOMMANDATIONS ISSUES DES CONFERENCES DE TEMOIGNAGES ET DES REFLEXIONS, QUE LE SENAT A ORGANISEES DU 28 AVRIL AU 25 JUIN 2021 SUR LE THEME « QUARANTE NEUF (49) ANS APRES, SE SOUVENIR ET BIEN QUALIFIER LES EVENEMENTS DE 1972 AU BURUNDI »** | |
| Recommandations issues des conférences de témoignages et des réflexions, que le Sénat a organisées du 28 avril au 25 juin 2021 sur le thème « Quarante-neuf ans (49) ans après, se souvenir et bien qualifier les événements de 1972 au Burundi » | **I. Au Gouvernement de la République du Burundi**<br>1) Qualifier les « événements » vécus du 29 avril à la fin du mois de juillet 1972, référence faite au droit national et international en ce qui concerne le génocide, les crimes de guerre et les crimes contre l'humanité ;<br>2) Faire la lumière sur les autres événements ayant ensanglanté en 1961(l'assassinat du Prince Louis RWAGASORE), 1965 (l'assassinat du Premier Ministre Pierre NGENDANDUMWE, la tentative du coup d'Etat du 18 octobre et l'éradication des élites Hutu qui a suivi), 1969 et 1971 (les projets de coup d'Etat dénoncés et réprimés), 1988 (les événements de Ntega et Marangara), 1993 (l'assassinat du Président de la République S.E NDADAYE Melchior et plusieurs de ses collaborateurs) et les crimes qui ont suivi ;<br>3) Créer une base de données (chercher, collecter, recenser) et exploiter toute littérature et tous les documents écrits, visuels et audio visuels existants sur les événements de 1972,<br>4) Demander aux Etats Unis d'Amérique, à l'Allemagne, à la Belgique, à la France, au Vatican, à la République populaire de Chine et à la Fédération de Russie de faciliter l'accès à leurs archives en vue d'aider à bien comprendre certains aspects du passé du Burundi au cours de la période pendant laquelle s'est tramé le processus qui a conduit aux « événements de 1972 » ;<br>5) Mener une action diplomatique auprès des Etats Unis d'Amérique, de l'Allemagne, de la Belgique, de la France, au Vatican, de la République populaire de Chine et de la Fédération de Russie pour qu'ils soutiennent le Burundi dans | 27 octobre 2021 |

ses actions pour une rapide reconnaissance par les instances habilitées des Nations Unies du caractère génocidaire des « événements de 1972 » dont les Bahutu du Burundi constituaient la cible et les crimes contre l'humanité dont des Barundi du « groupe ethnique » Batutsi ont été également victimes. Pour cela :

a) Demander une déclassification des archives en rapport avec « les événements de 1972 » au Burundi, notamment les correspondances diplomatiques échangées entre les diplomates accrédités au Burundi, leurs pays accréditaires ou avec les Pays voisins que les rapports qu'ils ont reçus de ces derniers ou cours de cette période ;

b) Œuvrer pour le rapatriement des archives sur les négociations inter burundais tenues à Arusha, en République Unie de Tanzanie de 1998 à 2000 afin qu'ils constituent le patrimoine du Burundi et contribuent à la reconnaissance de la vérité pour une véritable réconciliation des Barundi;

6) Annuler le procès du 6 mai 1972 rendu par le conseil de guerre mis en place par le Président Michel MICOMBERO afin de réhabiliter les victimes des crimes commis au cours des événements de 1972-1973. Pour cela :
   - Annuler le terme abamenja;
   - Demander pardon pour tout ce qui s'est passé durant les événements de 1972-1973.

7) Eriger un monument national et des monuments dans toutes les provinces pour honorer les victimes « des événements de 1972 ;

8) Identifier les responsables au plus haut sommet (les commanditaires) « des événements de 1972-1973 » et poursuivre en justice ceux qui refusent de demander pardon ;

9) inviter les autres responsables à dire la vérité, témoigner et demander pardon ;

10) Etendre les communications sur les « événements de 1972-1973 » dans toutes les entités provinciales, communales et collinaires afin de libérer les esprits meurtris ;

11) Multiplier les échanges de témoignages, en collaboration avec les organisations de la société civile ;

12) Décréter le 29 avril de chaque année, journée de commémoration des victimes des « événements de 1972-

1973 » et une semaine pour la mémoire des victimes, à partir du 29 avril ;

13) Prendre des dispositions nécessaires pour protéger et rassurer les acteurs, les témoins et les rescapés encore en vie, les preuves et les archives en rapport avec les « événements de 1972-1973 » ;

14) Initier les démarches vis-à-vis des partenaires au développement pour qu'ils s'impliquent et accompagnent la CVR dans la recherche de la vérité sur les « événements de 1972 au Burundi » et en vue d'obtenir un soutien diplomatique, matériel, technologique et financier nécessaire aux succès de la mission de la CVR ;

15) Elaborer un programme pour réconcilier le peuple burundais,

16) Créer un centre de documentation sur le génocide, les crimes contre l'humanité et les crimes de guerre au Burundi ;

17) Identifier et décorer les personnes qui ont protégé les victimes des événements de 1972 et leur donner des occasions de témoignage ;

18) Finaliser le processus de recherche de la vérité sur les événements de 1972 avant le 29 avril 2022 (50 ans après ces événements).

## II. Au Parlement de la République du Burundi

1) Voter une loi sur la qualification des événements de 1972, la date de commémoration nationale et les autres symboles à ériger pour un souvenir national, ainsi que le traitement judiciaire de toute forme de négationnisme et de manipulation du génocide des Bahutu du Burundi de 1972 et des crimes contre l'humanité dont les Batutsi ont été victimes ;
2) Initier et adopter une résolution proclamant solennellement qu'en 1972, un génocide a été commis contre les Bahutu au Burundi ;
3) Faire la lumière sur les autres événements qui ont suivi 1972 ;
4) Coopérer et collaborer avec d'autres Parlements pour le rapatriement des archives gardées au Vatican et ailleurs en vue de contribuer à la découverte de la vérité ;
5) Finaliser le processus de la recherche de la vérité sur les événements de 1972 avant le 29 avril 2022 (50 ans après ses événements) ;

6) Transmettre les présentes recommandations au Gouvernement de la République du Burundi pour initier des activités politiques, diplomatiques et législatives en vue d'arriver à la qualification des « événements de 1972 » en s'appuyant sur de nombreux témoignages recueillis.

### III. A la commission Vérité et Réconciliation (CVR)

1. Parvenir à servir au peuple burundais et à la communauté internationale, avant la fin de l'année 2021,une relation des faits et leur qualification conforme à ce que les Barundi ont vécu du 29 avril à la fin du mois de juillet 1972 et dans les prolongements qui ont suivi en 1973 ;
2. Identifier toutes les victimes des événements de 1972 en indiquant leurs noms colline par colline et les circonstances dans lesquelles elles ont été tuées ;
3. Qualifier les événements de 1972 sur base des témoignages avérés.

### IV. A l'Eglise catholique et aux autres confessions religieuses

Coopérer avec le Gouvernement du Burundi dans la collecte et le rapatriement des archives gardées au Vatican et ailleurs en vue de contribuer à la découverte de la vérité.

### V. Aux organisations de la société civile

Initier des programmes qui redressent et réconfortent tous les esprits blessés qu'on trouve dans tous les « groupes ethniques »qui composent le Burundi.

### VI. Aux responsables des partis politiques

1) Créer un climat politique rassembleur afin que les générations présentes et à venir ne vivent plus les cauchemars de 1972 ;
2) Organiser des réunions de sensibilisation à l'intention des membres de leur parti politique pour leur expliquer le bien-fondé de la recherche de la vérité sur « les événements de 1972 » et les autres événements au Burundi, en leur

demandant de ne pas ériger des obstacles à l'aboutissement de ce travail ;

3) Promouvoir le leadership éclairé et responsable ;
4) Eviter la stratégie de diviser pour régner qui a conduit au génocide des Bahutu de 1972-1973 ;
5) Eviter la globalisation car elle constitue une entrave à la découverte de la vérité sur les événements de 1972 les autres événements qu'a connu le Burundi.

**VII. Aux victimes des événements de 1972**

1) Se surpasser pour transcender et dissiper leur colère due aux situations malencontreuses qu'elles ont vécues et endurées et s'apprêter à pardonner ceux qui vont demander pardon ;
2) Contribuer à l'établissement des statistiques réelles des victimes des « événements de 1972 ».

**VIII. Au Royaume de Belgique**

1) Solder dans l'honneur, la dignité, la responsabilité et la solidarité les pages sombres de leur histoire coloniale du Burundi autant dans son déroulement qu'en ce qui concerne ses conséquences et les réponses à y apporter ;

2) Reconnaître que les événements survenus au Burundi en 1972 sont l'une des conséquences de l'arrêté royal du 21 août 1925 SIGNE PAR Albert 1er, Roi des Belges ;
3) Reconnaître sa responsabilité dans la division des Burundais, demander pardon et participer à la réhabilitation des victimes des conséquences de l'Arrêté royal du 21 août 1925 ;
4) Reconnaître que le Burundi a un caractère particulier en matière des ethnies ;
5) Faciliter le rapatriement de toutes les archives sur le Burundi à partir de la période coloniale.

**IX. Aux Nations Unies**

1) Reconnaître le « génocide des Bahutu du Burundi de 1972-1973 » et les crimes contre l'humanité connus au Burundi aux « événements de 1972 » et envisager des mesures pour

| | | |
|---|---|---|
| | que pareil cas ne se reproduise plus au Burundi et ailleurs dans le monde ;<br>2) Décider la mise en place des mécanismes de réparation centrés sur une politique nationale de développement économique et sociale en faveur de l'ensemble du peuple burundais.<br><br>**X. Aux médias**<br><br>1) Accompagner le Gouvernement et le Parlement dans leur programme de réconciliation nationale ;<br><br>2) contribuer à la collecte de la documentation sur les « événements de 1972 » et les autres événements. | |

**Fait à Gitega, le 18 / 12 /2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

Cabinet du Président
B.P 114 Gitega Tél 22 40 50 00
22 40 50 23
SENAT

INAMA NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| MINISTERE DES AFFAIRES DE LA C.E.A., DE LA JEUNESSE, DES SPORTS ET DE LA CULTURE | | |
|---|---|---|
| Ikibazo ciyaguye kibajijwe umushikiranganji ajejwe iyinjizwa ry'Uburundi mu karere ka Afrika y'ubuseruko | Mu ntumbero yo kugarukira imico n'akaranga, Ubushikiranganji bwogarukira inyubakwa ijejwe imico n'akaranga (Palais des arts) hagakorerwa ibitegerezwa kuhakorerwa ;<br>2. gukurikiranira hagufi ibijanye n'inyubako z'ibibuga mpuzamakungu kugira ngo vyubakwe hisunzwe ibisabwa n'amategeko, hamwe no kwihutira iyubakwa ry'ikibuga ca basket gikwije ibisabwa n'amategeko ;<br>3. gukingira n'ugukurikiranira hagufi ibibanza vyegukira ubushikiranganji bujejwe inkino, kuko ahenshi bibangamiwe n'abavyubakamwo mbere n'ibindi bikitirirwa amakomine ;<br>4. gutorera umuti ibibazo bikunda gushikira ingenzi z'abarundi zija mu bihugu akarere Uburundi buhurikiyemwo na cane cane igihugu ca Sudani y'epfo ;<br>5. Kuvugurura ibijanye n'imirwi ijejwe inkino bigaragara ko ahenshi itayobowe neza ndetse n'itunganywa ryayo rituma idatera imbere, mbere rimwe na rimwe igatunganywa hisunzwe inyungu za bamwe bamwe ; hamwe no gushiraho ibigo bijejwe inkino « centres de formation professionnelle » mu ntumbero yo guteza imbere inkino ;<br>6. mu ntumbero yo kworohereza ibidandazwa vyinjira mu gihugu, ubushikiranganji bwose vyega bwoja hamwe kugira ngo ibisata bijejwe kwakira ibidandazwa bikore amasaha mirongo ibiri n'ane kuri mirongo ibiri n'ane (24h/24h) ;<br>7. gukurikiranira hagufi ibijanye no gushira ururimi rw'igifaransa ku rutonde rw'izindi ndimi zikoreshwa mu karere ka Afrika y'ubuseruko nkuko vyumvikanyweko n'abo vyega. | 15 octobre 2024 |

**Fait à Gitega, le 18/12/2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

INAMA
NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| | | |
|---|---|---|
| | **MINISTERE DE LA SOLIDARITE NATIONALE, DES AFFAIRES SOCIALES, DES DROITS DE LA PERSONNE HUMAINE ET DU GENRE** | |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri, uw'amagara y'abantu n'ukugwanya ikiza ruhonyanganda sida hamwe n'uwo gushigikirana, imibano, agateka ka zina muntu n'iterambere ridakumira | 1. kwihutira gushira mu ngiro, ingingo yavumerewe na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yo kwongereza agahembo k'abakukuruke;<br>2. guhagarika ingingo yafashwe n'ubuyobozi bw'ishirahamwe " Mutuelle de la Fonction Publique", isaba ko abakukuruke barondera imiti y'indwara zidakira, bazana impapuro zitanzwe n'umuganga w'umu "spécialiste", kuko bibatwara uburyo n'inguvu badafise, basabwe ibibaranga vyemeza ko ari bo vyoba bikwiye;<br>3. gusaba ubuyobozi bw'ishirahamwe " Mutuelle de la Fonction Publique" kugwiza ama pharmacies akorana na yo kugira ngo abantu bari mu mihingo yose y'igihugu boroherwe;<br>4. kuraba ingene hovugururwa itunganywa ry'ingene amashirahamwe "INSS", "Mutuelle de la Fonction Publique" na "ONPR" bisanzwe bikora, kugira ngo abanywanyi boroherwe baronke ivyo bafitiye uburenganzira;<br>5. gutunganya neza ikigo kiri mu ntara ya Cankuzo kijejwe kwakira abana bo mw'ibarabara kugira ngo abagiyeyo bagire ico bungutse cane cane baharonkere indero ibereye ;<br>6. gufashanya hagati y'ubushikirangaji bwose vyega, kugira ngo ikibazo c'abana bo mw'ibarabara n'ic'abasegerereza ku mabarabara bihere burundu;<br>7. gushiraho poritike itomoye y'ingene " Mutuelle de la Fonction Publique" na "CAMEBU" bitunganya neza ibijanye no guhanahana imiti mu kuja inama, mu kurangura imiti ya nkenegwa hisunzwe iyo abarwayi bakenera cane kandi igakwiragizwa mu burere bwose bw'igihugu. | 09 janvier 2024 |

| | | |
|---|---|---|
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji batatu : uwo gufatana mu nda, uw'amagara y'abantu n'uw'ubudandaji | 1. nihakosorwe vyihuse amakosa akorwa n'ishirahamwe rijejwe kuvuza abakozi ba Reta (Mutuelle de la Fonction Publique) kandi hashirweho imirwi y'abanywanyi hisunzwe indwara (banque de données), vyorohe kumenya imiti ikenerwa ku murwi canke uyundi; kandi ni hatangwe uburenganzira bwo kugiririwa igipimo kiraba muri rusangi ingene amagara y'umunywanyi yifashe (bilan médical) n'imiburiburi rimwe ku mwaka, iruhande y'ivyo iryo shirahamwe ribwirizwa gukorera abanywanyi baryo;<br><br>2. nihakorwe ivyigwa vyo kuduza intererano zitangwa n'abanywanyi mu mashirahamwe ajejwe gutegekaniriza kazoza abakozi mu ntumbero yo gutera intambwe mu kuduza urugero ruzoronswa abakukuruke ; ivyo vyigwa vyokorwa no muri « Mutuelle de la Fonction Publique » kugira ngo abanywanyi bavurwe neza.<br><br>3. Nihaze haratangwa amakuru ahumuriza ku gihe, hongere hamenyeshwe ibiriko birakorwa mu gutorera inyishu ibiba bitariko bigenda neza nk'uko abenegihugu bavyipfuza | 18 juin 2024 |

**Fait à Gitega, le 18 / 12 /2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 08
22 40 50 23
SENAT

INAMA NKENGUZAMATEKA

Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le…. /…. / 2024

| | **MINISTERE DU COMMERCE, DU TRANSPORT, DE L'INDUSTRIE ET DU TOURISME** | |
|---|---|---|
| question orale avec débat | 1. veiller à ce que le Bureau Burundais de Normalisation « BBN », prélève des échantillons des produits fabriqués localement, aussi bien à l'usine que sur le marché pour vérifier que les échantillons présentés par les usines pour les tests restent de même qualité que les produits vendus afin d'éviter certaines tricheries;<br><br>2. doter le Bureau Burundais de Normalisation « BBN », tous les moyens humains, matériels, techniques et financiers suffisants, lui permettant de bien certifier tous les produits fabriqués dans notre pays pour le bien-être des citoyens burundais mais également pour augmenter le nombre de produits exportés par notre pays ;<br><br>3. initier une politique attrayante à l'endroit des investisseurs nationaux et internationaux œuvrant dans le secteur de l'hôtellerie et du tourisme, afin qu'ils puissent notamment améliorer l'état des sites touristiques de façon qu'ils soient à mesure d'attirer les voyageurs ;<br><br>4. doter le Ministère du Commerce, de l'Industrie, du Transport et du Tourisme d'un budget lui permettant de bien faire des études d'aménagement touristique et historiques et implanter les pancartes pour une bonne orientation des touristes et des voyageurs;<br><br>5. prendre des mesures de collecte , de gestion ou de traitement des bouteilles en plastique après usage soit par les fabricants eux-mêmes soit par d'autres maisons spécialisées | 18 janvier 2023 |

| | | |
|---|---|---|
| | pour préserver notre environnement sain, mais encore empêcher le second usage des fois contre indiqué par les experts de la santé humaine;<br><br>6. combattre avec force la corruption presque institutionnalisée par certains membres du personnel de l'OTRACO lors de la recherche des documents de contrôle technique ;<br><br>7. penser à un ajustement des prix des produits BRARUDI, BUCECO et autres, dans certaines localités très reculées par rapport aux dépôts des grossistes en marge des frais de transport supplémentaires engagés par les détaillants. | |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji babiri mu vyo bajejwe harimwo ubudandaji n'uburimyi, | 1. kuraba ivyokorwa kugira ngo abadandaza « gaz » borohereзwe mu kuyironka, ishikire abenegihugu itazimvye cane, n'ibizuku biboneke, gutyo umwenegihugu ashobore gucana akoresheje uburyo buke, kandi ibidukikije bikingiwe ;<br><br>2. gukurikirana neza abahingura imitobe, kuraba aho bakorera kuko ari umurimo usaba isuku ryinshi, ritahabaye bisinzikaza amagara y'abantu ;<br><br>3. kunagura no guha ishusho nziza ibibanza vy'iratiro ;<br><br>4. gutunganya neza ikigo « BBN » ku buryo kija ku rugero rwo gukwiza ibisabwa n'amategeko mpuzamakungu mu gutanga ivyemezo ko ibidandazwa bikwije ibikenewe "certification", kugira ngo bishobore gushorwa hanze y'igihugu. | 20 décembre 2023 |
| Ikibazo ciyaguye ku bashikiranganji batatu : gufatana mu nda, amagara y'abantu n'ubudandaji | 1. nihashingwe igiciro kiri hejuru cane ku nzoga zonona amagara y'abenegihugu kugira bifashe kugabanya umurindi w'abazihereza ;<br><br>2. nihagire igikozwe mu kworohereza abantu mu vyo kwiyunguruza habaye ugukorana n'ubundi bushikiranganji bubijejwe. Ivyo vyokorwa mu kurekura vy'imfatakibanza ivyuma bitobito bikoreshwa mu kwiyunguruza (motos, | 18 uin 2024 |

| | | |
|---|---|---|
| | vélos et tuk-tuk) gushika ku mabarabara makuru makuru hisunzwe amakaritiye abantu babamwo, hace hongerezwa umutekano mu mabarabara no mu bibanza bimwe bimwe mu ntumbero yo kworohereza abaja ku mirimo ya Reta, y'abikorera utwabo n'abanyeshure kugira ngo umwimbu w'igihugu ntusubire inyuma ;<br>3. nihashirwe mu ngiro amasezerano yose yo guhanahana ibidandazwa yasinywe hagati y'Uburundi na Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Congo (RDC).<br>4. Nihaze haratangwa amakuru ahumuriza ku gihe, hongere hamenyeshwe ibiriko birakorwa mu gutorera inyishu ibiba bitariko bigenda neza nk'uko abenegihugu bavyipfuza. | |

**Fait à Gitega, le 18 / 12 /2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Cabinet du Président
B.P. 114 Gitega Tél 22 40 50 00
22 40 50 23
SENAT

'INAMA NKENGUZAMATEKA
Adresse : Avenue du Peuple Murundi
B.P. : 114 Gitega
Tél : (+257) 22 40 50 08
: (+257) 22 40 50 23
Site Web : www.senat.bi
E-mail : info@senat.bi
: senat@senat.bi

REPUBLIQUE DU BURUNDI

SENAT

Gitega, le.... /.... / 2024

| | | |
|---|---|---|
| | **MINISTERE DE LA COMMUNICATION, DES TECHNOLOGIES DE L'INFORMATION ET DES MEDIAS** | |
| Ikibazo ciyaguye ku mushikiranganji | 1. Gutunganya no gukurikirana neza umugambi « PAFEN », kugira igihugu cose gishobore kuronka umuhora w'ubuhinga ngurukanabumenyi, abenegihugu bashikirwe n'amakuru aho bari hose, bongere baronke kandi batange ubutumwa bitabagoye ;<br>2. Gutegura amategeko n'indinganizo vyotuma abarundi bijukira cane gukoresha ubuhinga bwa « youtube », gutyo bashobore no kubironkamwo amafaranga nkuko biri mu bindi bihugu ;<br>3. Kwihweza neza ingene abamenyeshamakuru b'ibigo vyigenga bokworoherezwa bakanakingirwa gusumba, biciye mu kubaha ama "cartes de presse", kubatangira "cotisations sociales", kubaha amasezerano y'akazi n'ibindi vyoshobora kubazanira akarusho no kubatera intege ;<br>4. Gukura mu nzira ikibazo c'amahera y'abenegihugu yugaraniwe muri « Ecocash » bivuye ku matati hagati ya Reta na Econet;<br>5. Guhimiriza no gukurikiranira hafi amashirahamwe abomora amabarabara agomba aho acisha intsinga zitandukanye, kugira ngo ico gikorwa c'instinga giheze, yibuke gukora ivyo asabwa afashanije n'ikigo « ARB », kugira ngo ayo mabarabara akorwe amere nkuko yari ameze;<br>6. Kwiga uburyo bwotuma abakozi bo mu ma « Télé centres communautaires polyvalents », bashobora kuronka agashirukabute canke urupapuro rwerekana ico bashoboye gukora. | 09 avril 2024 |

**Fait à Gitega, le 18 / 12 /2024**

**LE PRESIDENT DU SENAT**

**Très Hon. Emmanuel SINZOHAGERA**